Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°798 01 Nyakanga 2023

# Imyaka 125 ya yubile ya Paroisse mfura muri Ekleziya y'i Burundi




Foto: Chanel HARINGANJI

Soma ku Rup. 12

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Yubire y'imyaka 125 Inkuru Nziza ya Yezu Kristu ishitse mu Burundi.



Foto: Mu bubiko

Soma ku Rup. 5

## Ibirimwo

o Umuryango n'urugo bitandukaniye hehe?....................................................3

o Umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt waraye uramuye abigeme 6 .......................................................................................................5

o CVR - Burundi: Ukutihanganiranira muri Politike y'Uburundi vyatanguranye n'amatora yo mu myaka y'1960 ......................................................................7

o Uburenganzira bw'abantu bafunzwe n'ivyo basaba................................10

# Idominika ya mirongo ibiri na kabiri: Umwaka A

## Igisomwa ca mbere : *Yeremiya 20,7 9*

**Imburi**

*Mu gisomwa ca mbere, umuhanuzi Yeremiya aratubwira amarushwa yabonye kubera ijambo ry'Imana gushika aho avuga ko iryo jambo ryamuteye iceyi mugabo akaryumako*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Yeremiya:

*(Ijambo ry'Imana ryanteye iceyi)*

Ewe Mukama, warampendahenze nanje ndemera ndahendahendwa. Warandushije ubukomezi, utako urantsinda. Igihe cose baguma bantyekeza, bose barantwenga. Nkako, aho novuze, mvuza induru. Ico menyesha, ni ububisha n'ukuyogera. Nanone, Ijambo ry'Umukama rituma bantuka bakantyekeza igihe cose. Iyo mvuze nti: «Singisubira kumukubitizako agatima canke kuvuga kw'izina ryiwe.» Ariko iryo jambo ryose ryabaye nk'urubeya rwaka mu mutima wanje, rwugaraniye mu magufa yanje. Naragerageje kwiyumanganya, ariko sinabishobora

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyaroma:12, 1 - 2*

**Imburi:**

*Mu gisomwa ca kabiri, Paulo mweranda aduhanura ngo tureke kwigana imigenzo y'iyi si, ahubwo duhereze Imana imibiri yacu nk'ishikanwa rizima.*

**Tubisome**

Ivyo dusoma mw'ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyaroma:

*(Nimuhereze Imana imibiri yanyu nk'ishikanwa rizima)*

Ncuti zanje :
Benewacu, ndabahanuye ku bw'ikigongwe c'Imana ngo mwihereze mwebwe nyene bwa mbagwa nzima, nyeranda kandi ishika Imana ku nyota. Uko ni ko mwoba muyikoreye ku bw'umutima. Kandi nimureke gufata imigenzo y'iyi si, ariko nimuhinduke mu kwama munagura ubwenge bwanyu, kugira ngo musobanure neza ishaka ry'Imana, iciza, igishimishije n'ikirangutse neza.

## Inkuru nziza: *Matayo : 16, 21– 27*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Ese Imana y'Umukama wacu Yezu Kristu yomurikira amaso y'imishaha yacu, kugira ngo turimbure ukwizigira yaduhamagariye uko kungana.*

**Alleluya.**

*Mu nkuru nziza, igihe Yezu yabwira abigishwa biwe ko azobabara menshi, akicwa, hanyuma akazuka, iryo jambo ryaragumiye abatumwa petero, amubwira ati : «Ntirikabe » niho rero yezu yamubwira ko inzira y'ukubababara ari yo nzira y'abo bose bashaka kumugendanira*

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

*(Uwushaka kungendanira, niyihebe)*

Petero yari yabwiye Yezu ati: "Uri Kristu, Umwana w'Imana nzima."



Kuva ubwo, Yezu atangura guhishuka abigishwa biwe ko abwirizwa kuja i Yeruzalemu, akahababarira cane, abigiriwe n'abakurambere, abaherezankuka bakuru n'abanditsi, akicwa, hanyuma ku musi ugira gatatu akazuka. Petero rero aramwihereranya, aja mu vyo kumwamira avuga ati: «Ntirikabe Mukama, ivyo ntibizokwigera bigushikira.» Yezu arahindukira, abwira Petero ati: «Mva inyuma wa shetani we, uriko urantsitaza, kuko ivyiyumviro vyawe si ivy'Imana, ahubwo ni ivy'abantu.»
Hanyuma Yezu abwira abigishwa biwe ati: «Uwushaka kunkurikira, niyihebe, yikorere umusaraba wiwe, ankurikire. Nkako, uwushaka kurokora ubuzima bwiwe azobutakaza, nayo uwuzoheba ubuzima bwiwe kubera jewe azoburonka. Mbega umuntu vyomumarira iki kwigarurira isi yose, aroshe ubuzima bwiwe? Canke umuntu yotanga iki ngo acungure ubuzima bwiwe? Nkako, Umwana w'umuntu agiye kuza mu buninahazwa bwa Se akikijwe n'abamarayika biwe, aheze ahembere umuntu wese ibikorwa vyiwe.

# Umuryango n'urugo bitandukaniye hehe?

Foto: Chanel HARINGANJI



Umushingantahe Onesphore NDUWAYO, umwe mu bashikirije inyigisho

1. Urugo mu Burundi rurafise ikibanza mw'Itegeko Nshingiro rya République y'Uburundi mu ngingo yaryo ya 30. Vyongeye, hariho n'ltegeko rigenda abantu n'imiryango ryo mu 1993. Hariho n'amategeko ya Ekleziya Gatolika ajanye n'ivy'ingo n'imiryango.

***2. Muti none, Umuryango n'Urugo bitandukaniye hehe?***

Tuvuze urugo, tuba tuvuga Umugabo, Umugore n'lbibondo Imana yabahaye canke batunze. Umuryango ushobora kuba ari urugo canke umuryango wiyaguye.

3. Mu Burundi, urugo be n'umuryango wiyaguye nivyo bivugwa cane.

Amategeko agenga ingo n'imiryango ariyamiriza/arihaniza uguharika.

4. Mu vyo Leta ijejwe, harimwo gukingira Ingo/Imiryango mu gutunganya amategeko n'imigambi ijanye no gushigikira no gukingira ingo. Hariho n'ibisata bijejwe gukingira no guteza imbere ingo n'abana (Ubushikiranganji n'ibisata bibugize).

5. Ikizwi ni uko umushinge w'urugo ari kwubaka biciye mu mategeko (ya Leta na Ekleziya), ata gahato; maze abubakanye bakaba bavyemeranije; umwe wese bivuye ku gushaka kwiwe (consentement).

6. Ikibabaje, ni uko hari abatarashikana imyaka y'ukwubaka itegekanijwe n'amategeko, cane cane abigeme, babikwegerwamwo.

7. Urugo rurafise uruhara rukomeye mu mibano kuko niho umwana yigira ivy'ubuzima, kuva akiri muto, ingene azobaho n'ingene azobana n'abandi. Niho yigira akarangamutima (Valeurs) n'ingeso nziza azogendera.

Urugo/Umuryango ni ishule ry'ubuzima. Niwo mushinge w'Ubuzima. Ingene umwana abayeho mu Rugo/Muryango birafise ingaruka nziza canke mbi mu buzima n'inyifato vy'uyo mwana amaze gukura.

8. Urugo rutekanye rurafise uturusho twinshi, nko guha agaciro umuntu, kwubahana, kwumviriza, kwigisha gusabikanya, gufashanya, kwitaho abandi ...

9. Nta Rugo/Muryango rwotekana ngo rube ruzima mu gihe rugaragaramwo inyifato y'ububegito, canke ibikorwa bigayitse, tutibagiye guhohotera kiremwa muntu.

10. Niko, Abarundi turaha ikibanza kinini uruvyaro. Kera kuvyara abana benshi ryari itunga, abavyeyi barumva ko baremye, ko umuryango ufise abazowukingira canke bakawugwanira.

11. Ariko lero ubu ibintu bisa n'ivyahindutse. Urugo rurimwo abana benshi, ivyo kubatunga bidakwiye (kubagaburira, kubambika, kubarihira ishule n'ibikoresho, kwiyunguruza, kubavuza...), bishobora kuba intandaro y'ibindi bibazo, mbere n'inyifato tutari tumenyereye canke tutari twiteze zikaduka, zikibonekeza.

Nk'akarolero, abana bagaheba ishule, kwiyerereza no gusegerereza mu mabarabara, kunywa urumogi n'ibiyayuramutwe, ubusuma., ubushurashuzi, n'ibindi.

12. Vyongeye, ntitwokwiyobagiza ko mu Burundi ingo zahuye n'ivyago biturutse ku ntambara n'ubwicanyi vyatewe n'indyane zadutse hagati y'abonse rimwe. Ivyo vyatumye ingeso n'imigenzo myiza yaranga Umurundi wo hambere bitituka. Kera bavuga bati «Umwana si uwumwe». Ubu umwe wese araba abiwe.

13. Ntitwodeha ko Abavyeyi b'Akarolero keza bariko baragabanuka. Abavyeyi bamwe bamwe ni ba «SINDABIBAZWA», gushika naho vyanka ko batunganiriza abana babo mu vyo bakeneye; abo nabo bagaca bata muhira, bakiyangarira, abaruguru bagahurumbira ibisagara, bakaja gusegerereza. Ubu mbere hari n'abantu bakuze basigaye baragize umwuga GUSEGEREREZA.

14. Hirya no hino turumva ko igitigiri c'abana bavuka ba Se batazwi kiguma congerekana; hamwe n'inda z'indaro, abigeme batwara inda bakiri bato.

Hari n'abana babayeho nk'impfuvyi kandi abavyeyi babo bakiriho. Aha ntitwibagiye abana bavukira mw'ibarabara; nkabo bazokura ata cerekezo bafise.

***B. Akamaro n'ico urugo rujejwe***

15. Urugo/Muryango ni wo mushinge w'Ubuzima bw'Umuntu. Niryo shule rya mbere. Uwuhushije ngaho n'ahandi ntibizomworohera mu buzima. Ari naco gituma dukwiye gutegera neza uruhara rw'Urugo n'urw'umumwe wese mu Rugo/Muryango.

16. Urugo rufise uruhara mu butunzi. Umuryango utegerezwa kubaho. Utegerezwa kurondera uburyo kugira ngo uronke ibiwubeshaho vya nkenerwa (uburaro, ibifungurwa, ivyambarwa, indero y'abana, kwivuza, utuntu n'utundi).

Abavyeyi barakora, barita ku rutare kugirango begeranye ibifasha umuryango, umwe wese agaterera agacumu k'ubumwe, agakora ivyo ashobora (kurima, kworora, guhingura, kudandaza, guca umushahara/ingero...).

Ibik. urup.6

# Yubire y'imyaka 125 Inkuru Nziza ya Yezu Kristu ishitse mu Burundi.

Ku wa 15 Myandaro, Ekleziya irahimbaza umunsi mukuru w'Iyurizwa mw'Ijuru rya Bikira Mariya. Uno mwaka, kuri uyo munsi Ekleziya y'Uburundi yari mu kanyamuneza ko kwigina imyaka 125 iheze Uburundi bwacu bumenyeshejwe Inkuru nziza ya Yezu Kristu.

Iyo yubire ikaba yahimbarijwe ku Kirimba ca Bikira Mariya i Mugera muri Diyoseze nkuru ya Gitega. Ikirimba dusanzwe tuzi ko ku wa 15 Myandagaro 1961, ariho abungere b'Ekleziya bari kumwe n'Umuganwa Rwagasore begurira Uburundi umushaha utatryoye wa Bikira Mariya.

Uwo munsi mukuru wari witabwe n'abungere bose b'Ekleziya y'uburundi; NyenicubahiroMusenyeri Dieudonné Datonou aserukira Papa mu Burundi; Nyenicubahiro Karadinale Antoine Kambanda umwungere wa Diyoseze nkuru ya Kigali mu Rwanda; Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye arongoye igihugu cacu c'i Burundi; Nyenicubahiro icegera c'Umukuru w'igihugu cacu, Nyenicubahiro umushikiranganji wa mbere wa Reta y'Uburundi n'abandi benicubahiro n'abakristu benshi bavuye mu ma Diyoseze atandukanye y'Ekleziya y'Uburundi.

Imbere y'uko Inkuka ya misa itangura, barahaye ijambo Umukuru w'igihugu cacu c'Uburundi. Muri iryo jambo, yarakeje Ekleziya y'Uburundi kuri iyo myaka 125 iheze imenye inkuru nziza, atumirira abakuru b'Ekleziya n'abakristu b'Ekleziya Katolika guhimbarwa no gukengurukа ivyiza vy' Imana Ekleziya y'Uburundi imaze kugabana. Yashize imbere amashure yegukiye Ekleziya Katolika, na canecane akengurukа ubumenyi butangirwa muri ayo mashure.

Kubijanye n'ukumenyeshwa Inkuru nziza, Nyenicubahiro umukuru w'igihugu yagarutse ku kwemera Imana kwamye kuranga abarundi muri kahise. Aho bari bazi gusenga Imana igira neza, ariko kandi bakamenya ko hambavu y'Imana itanga inka n'ibibondo hari n'umwansi agareranwa na shetani bita Rwuba Rwabigata. Atumirira abakristu gukomya ukwemera bamenyeshejwe muri Yezu Kristu.

Ikindi yakengurutse ni imigenderanire myiza iri hagati ya Reta y'Uburundi na Vatikano, aboneraho no gukengurukira Nyenicubahiro Musenyeri aserukira Papa mu Burundi.

Yarangije iryo jambo yibutsa umugambi yashikirije Nyenubweranda Papa Fransisiko wo kubaka isengero nkuru «Basilique» i Mugera. Yongera ahamagarira amaparuwase, abihebeyimana kugira imigambi y'iterambere maze abenigihugu babonereho kubigana.

Inyuma y'iryo jambo, urugendo rurongora inkuka y'imisa yarongowe na Karadinal Antoine Kambanda rwaciye rutangura. Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, Nyenicubahiro Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Gitega, yibukije ko uwo mwaka wa Yubire waranzwe n'ubutumwa bw'ingo n'imiryango, yo Ekleziya yo haziko ; hamwe n'ubutumwa bwo kurekuriranira no gusubizahamwe ngo dushobore kwerekeza imbere dushishikara kwigisha inkuru nziza.

Akengurukira Imana kandi ku bamisiyonari ba Karadinali Lavigerie baje kutumenyesha inkuru nziza. Ivyamwa bikaba biboneka: abahinduka bakemera kubatizwa, ibikorwa vy'urukundo n'iterambere.

Abakristu b'i Burundi bashoboye gushingira intahe Yezu Kristu mu bihe igihugu cacu cari mu ntambara bamwe mbere bakabizira; akarorera bakaba ari abanyeshure bi Buta bapfuye bazira umuvukano.

Aboneraho gukebura abakijujuta mu macakubiri ngo bavavanure niyo ngendo. Ibindi vyamwa ni amatorwa y'abasaseredoti b'imvukira, n'imiryango y'abihebeyimana yavukiye muri Ekleziya y'i Burundi.

Iki gihe, Ekleziya y'i Burundi ikaba igeze ku rugero rwo kurungika abamisiyonari baja kumenyesha inkuru nziza mu bihugu vyaje kuyitumenyesha, kuko amatorwa atagishemeye murivyo. Yarangije iyo nyigisho asaba Bikira Mariya yurijwe mw'ijuru umubiri n'umutima ngo yame adusabira.

Inyuma yiyo nsiguro, Inkuka ya Misa yabandanije nkuko bisanzwe. Imbere y'umuhezagiro, Musenyeri Banaventure Nahimana Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Gitega akaba n'umukuru w'inama y'Abepisikopi Katolika y'Uburundi yarasomeye aba kristu ubutumwa bwa Karadinale Luis Antonio Tagle arongoye igisata ca Papa kiraba ibijanye no kumenyesha inkuru nziza.

Aho adutumirira gukora uko dushoboye ngo ingo rukristu zibe amayogi y'urukundo mu gushishikara kwihatira gusubiza hamwe no kurekuriranira, ukurandurana n'imizi ugukumirana gushingiye ku moko.

Tubibutse ko iyo yubire yari yuguruwe ka wa 1 Gitugutu 2022 ku kirimba ca Bikira Mariya i Gikungu, muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura.


***MSV Ndikumana Marie Goreth***

# Umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt waraye uramuye abigeme 6

Ku wa 27 Myandagaro 2023 umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt wari uramukanye akanyamuneza ntangere ko kwakira indagano z'abigeme batandatu bemeye kw'injira icese no gukurikiza amategeko y'umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt.

Vyabereye i Mutumba mw'isengeronkuru ya paruwase, mu mugirwa witwa uwo kwambika umwambaro ababa bamaze imisi bariko bitegurira iryo banga.

Ibirori vyatanguriye mu gasengero ka schoenstatt ku kirimba ca Bikira Mariya Umugabekazi w'Umwizero. Inyuma y'uko abo bigeme bahejeje guhereza ibisabisho vyabo mu gacerere, habaye urugendo rurerure ruva ku gasengero k'amizero rugana kw'isengero nkuru ya Paruwase. urwo rugendo rwari rugizwe n'abakiristu isinzi hamwe n'abihebeye, ababikira, abafurera n'abasaserdoti. Indirimbo z'itorwa no gushimagiza Umukama nizo zasamirana.



Mu nsiguro y'Ijambo ry'Imana yashikirijwe na Musenyeri Anatoli Ruberinyange icariho c'Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura, yashimikiye kw'ibanga ry'uwabatijwe wese. Yisunze ibisomwa vy'umusi w'Imana ugira 21 mu gihe gisanzwe mu mwaka A ari navyo vyasomwe uwo musi, Musenyeri Ruberinyange yahamagariye abakrisu bose kumenya Umukama, umwe wese ku gatwe kiwe.

Yisunze inkuru nziza y'uwo musi aho Yezu yabajije abigishwa biwe ico bamwiyumvirako baserukiwe na Simoni bakishura ko Yezu ari we Kristu, iyo ntumwa y'Umwungere muri ivyo birori iti: « Mbega kuri mwebwe, Yezu ni nde? Mwaramwinjije mu buzima bwanyu gushika aho mwemeza neza ko ari Umukama?»

Kuwabatijwe, kwemeza ko Yezu ari we Kristu ngo ntivyoba ivyo mu majambo. Ahubwo ngo ibikorwa, ingendo n'inyifato nziza ni vyo bihambaye cane kandi vyigisha gusumba kuvuga.

Yerekeje kuri abo bagomba bagabane umwambaro w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt, yabasavye ko bokwama biyubara, kugira ngo ntibatetereze umuryango bemeye kw'injiramwo atagahato kandi bazirikane neza iryo banga bagiye kwinjiramwo ingene ringana.

Mu kiganiro bagiriranirye n'intumwa y'Umwepiskopi, abo bigeme bariyemereye ko iyo ngingo bayifashe ata gahato kandi ata gitsure, baraheza bashikiriza indagano zabo z'ubworo, ubugamburutsi n'ubwerentegerwa.

Umuryango w'abakristu uhejeje kubakira, bashikirijwe umwambaro n'ibimenyetso vy'umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt.

**Ibimenyetso bahabwa ni ibihe?**

1. Ikanzu y'ababikira ba



Mariya wa Schoenstatt: ni ikimenyetso c'itorwa n'ibanga ry'umunovisi. Uwuhabwa iyo kanzu yiyambura wa muntu wa kera, akikwiza umuntu mushasha yaremwe mu gashusho k'Imana, mu butungane no mu bwerenda bw'ukuri nk'uko bi-ri mubanyefezi 4,22-24.

2. Umukanda: ni ikimenyetso c'ubwerentegerwa n'ubumwe bashaka kwunga na Kristu kandi ko ari abiwe bwite. Mu buzima bushasha baba batanguye, basaba Umukama kubaronsa inkomezi n'inema y'ukugumya ibanga gushika gupfa.

3. Umwitwikiro: Ni ikimenyetso c'urukundo rwihebera rwose Kristu. Nka Bikira Mariya, bahamagarirwa kwama bisunga Kristu mu buzima bwabo, kugira ngo bashobore gukorera umuryango w'aba Kristu.

4. Umudari wa Bikira Mariya atangarirwa gatatu: ni ikimenyetso c'uko Yezu na Bikira Mariya bababera ishimikiro, itunga n'iherezo vy'ubuzima bwabo, hamwe n'akanyamuneza k'imyaka yose.

5. Itara ryaka: ni ikimenyetso c'uko Kristu ariwe muco wabo ubu no mu myaka yose. Niwe abamurikira, abakomeza, kugira ngo mu bukomezi bw'inema ziwe, bashobore kuboneshereza abantu, ngo batore inzira irora kwa Dawe wo mw'ijuru.

*Mélance Ndayikeze*

# Umuryango n'urugo bitandukaniye hehe?

17. Urugo rurafise uruhara mw'irondoka ry'abantu, Imana ibagiye imbere, abubatse bararondoka kugirango umuryango ntuhone. «Ariko kuvyara vyonyene ntivyikwije.

Uwuvutse bategerezwa kumuronsa ibimutunga kandi, umugabo n'umugore bategerezwa kuzuzanya mu mabanga yabo yabubatse.

18. Urugo rurafise uruhara mu gufashanya no kwitanaho. Urugo rurigisha gusenyera ku mugozi umwe. Umwe wese mu rugo arafise ico aterera kugira akingire urugo (n'ivyarwo), n'umutekano warwo.

19. Urugo ni isoko ry'urukundo. Urukundo rutagabanije n'ukwitanga ni kirumara mu mu Rugo/Muryango.

Umwe wese mu muryango ategerezwa kumva ko akundwa, cane cane abana kuko bakomeretse ku mutima mu buto bwabo bifise ingaruka mbi kuri kazoza kabo.

Bisigura ko dutegerezwa kwirinda inyifato, imvugo canke ingiro itabereye, ahubwo tukagaragaza urukundo n'igisharara ku mutima wacu.

20. Urugo rurafise uruhara mu kwidagadura, kwinezereza. Abana barakunda gukina. Umwana akina arakomeza muri we agatima ko kwiyemera, kandi biramufasha kumenyerana no kubana n'abandi.

Gukina biratsimbataza ubumwe hagati y'abana bakinana, baramenyana, baramenyerana, mbere bakunga ubugenzi n'ubucuti.

Biragaragara cane cane iyo hari umwana afise ISABUKURU» canke urundi rubanza «IBATISIMU, GUSANGIRA...» ingene abandi bana baza kumufasha umunezero, bagakina, bakiginana mu munezero n'umwidegemyo nta ngere.

Gukina birugurura abana bakagaragaza umunezero no kugubwa neza. Naho bokina bakababazanya, kenshi bivuye ku gusamara, nta nzigo mu bana.

21. Urugo rurafise uruhara mu ndero n'imibano. Mu Rugo/Muryango abana bariga amategeko ngenderwako mu mibano hagati y'abantu (imiziro, imigirwa, akarangamutima, ugusenga...).

Ni ngombwa ko mu Rugo harangwa inyifato ibereye n'ivyiyumviro vyubaka kugirango bibere akarolero abana, nabo bazobane n'abandi mu mahoro, umwumvikano n'umutekano. Aha lero uruhara rw'abavyeyi rurahambaye kuko bavuga ngo:

"Indero iva ku ziko », "Imbuto itewe niyo imera », "wanka kugorora igiti kikiri gito, gikuze kiravunika", "wanka kugarura impene ikiri hafi yamara kurenga umurambi ukabira nkayo".

Naho abavyeyi bafise uruhara, igikorwa cabo kizosahirizwa n'icabigisha mu mashule n'inyigisho zo ma Sengero n'imihari rukristu (inyigisho ndoramana).

22. Urugo rurigisha kumenya ico umuntu ari (Kamere). Niho umwana amenyera ubwambere ko ari umuntu, ko afise igitsinagabo canke igitsinagore, ko uri umurundi... Aha lero abavyeyi bohagabira bakigisha abana babo inyifato z'akarolero zubaka zijanye na kamere k'umwana.

23. Urugo rurafise uruhara kugira umuntu yiyumvemwo umwidegemvyo. Mu Rugo ruzima niho umuntu yumva ko afise umwidegemvyo, ukwishira n'ukwizana, navyo bikaba ari nkenerwa mu buzima bw'umuntu.

Umuntu arumva ko yisanze; umwana agakura, agaca ubwenge yumva ko atekanye mu mutima.

24. Urugo rurafise uruhara mu vy'imico, akaranga, inyifato n'inyemero (croyance). Niho hatangirwa indero n'inyigisho y'akarangamutima kerekeza kwubaha no kwubahiriza abandi, kugira ikigongwe (imbabazi), gufashanya, kwitaho abandi, kuba umugwaneza, kwubaha no kwubahiriza ubuzima bwa kiremwa muntu.

Umuryango n'iyogi ryo kumenyesha no gukundisha Imana n'Ijambo ryayo. Ku bakristu ni Umushinge w'Ekleziya Muryango.

C. ***Ibibangamiye canke bihungabanya ingo mu Burundi***

25. Hariho Ingo zifashe neza, ari zizima, zirangwa n'ibi bikurikira: Gukunda no gubundisha Imana, Gusenga, Umwumvikano, ikiyago, hwitaho Indero y'abana, gutunganya neza amatungo y'urugo/muryango, kudahemukiranira, umubano mwiza mu rugo no mu babanyi

Ariko hariho ibibangamiye ingo ari vyo tugira dushikeko, naho atari vyose.

26. ***Inkwano:*** Kera inkwano cari Ikimenyetso co kugaragaza ubumwe bwunzwe n'imiryango yasabiraniye abageni. N'ubu bisa nk'uko ku-ko umugabo adakoye arakengereka kwa Sebukwe.

Ariko rero, uko ibintu bimeze ubu, uravye uburyo n'umwanya bitwara gushika ubugeni bube, bitebe bitebuke, birashobora gutera ingorane mu bubatse urwabo, bivuye ku nzara n'ubukene bikwirikira agakuku k'ubugeni.

Birashika abubatse bagatandukana umwe agasubira iwabo canke akomoka. Abasore bamwe barahitamwo bagacikiza naho amategeko abibuza kuko uburyo bwabagoye.

Urugero rurenze uburyo bw'abitegurira kwubaka

Ibikur. urup. 7

# Umuryango n'urugo bitandukaniye hehe?

be n'igiciro gihanitse c'inkwano, aho gufasha gutsimbataza ubumwe mu Rugo/Muryango rushasha, birashobora kurusenya rugishingwa.

27. Umwiteguro udakwiye ku bipfuza kwubaka. Hari abinjira mu buzima bw'abubatse batateguwe bikwiye ku bibarindiriye (ivyo bajejwe, amabanga y'urugo...).

Bamwe basanga uko babiziga atariko biri, kumbe ahanini bakwezwe n'akaryohera mubiri.

Ni vyiza ko hoba umwanya ukwiye wo kubigisha ibikenewe vyose, tutibagiye n'ibijanye n'amabanga y'abubatse, kuko hari igihe bivamwo intandaro y'inyifato itabereye, mbere no kuvana bigashika.

Aha twotera intege Ekleziya Gatolika ku mwitwarariko ifise kurico kibazo (amezi atandatu yo kwitegura).

Abitegurira kwubaka izabo bokwigishwa ibijanye n'amategeko, akamaro k'ikiganiro mu rugo hagati y'abubakanye, ico umwumwe wese ajejwe mu rugo, ikibanza c'Imana mu muryango...

28. Gukorera kure y'urugo. Birashika ko umwe mu bubatse bamurungika gukorera kure y'i muhira, maze ntashobore gutaha iminsi yose.

Kiretse abarungikwa n'Igihugu, hariho n'abandi bamaze iminsi baja kurondera akazi mu mu mahanga, nko mu bihugu vy'Abarabu.

Ivyo birashobora guhungabanya n'indero y'abana. Biranashika ko umwe mu bubatse (canke bose) atsitara akarenga ibigo, agasesagura amatungo, agaheba n'uwo bari bubakanye, n'izindi nyifato z'ububegito. rugo/muryango

29. Abana benshi mu rugo ata buryo bushemeye: Hari ingo zifise abana benshi mugabo ata buryo bushemeye zifise (nta tongo ririho, naho ryoba ririho ni rito, nta kazi, nta gikorwa kiboneka cokwinjiza uburyo bwo gutunga urugo...).

Igihe tuziko mu Burundi ibice 90 kw 100 batunzwe n'uburimyi, nayo igitigiri c'abantu kikaguma ciyongera, biratuma isi ndimwa iguma igabanuka. Kubera ubukene mu rugo, abana barata muhira bakaja mw'ibarabara, bagata ishule ngo bagiye kurondera ubuzima.

30. Ukutaronka ikibondo. Navyo birahungabanya urugo igihe abubakanye batifashe rugabo, ngo bihanganiranire, ngo bareke gutana ko umwikomo.

***Bokwirinda insaku n'abavyisukamwo.***

Ico kibazo kirakwega induru abubakanye bakaagiranya ubugumba, hakaduka ivyo kwahukanira mu nzu no kurenga ibigo. Hari n'abahukana burundu, urugo rukaba rusenyutse.

31. Abubatse badasangiye idini (Ukwemera). Murico gihe, birashobora kugorana kubera kudahuza mu migirwa ijanye n'ivyo umwe wese yemera. Twarabonye ivyashitse bitewe na ka gakuku ka «Eusèbe».

***Biracaza***

*Ihwaniro rya mbere ry'ingo n'imiryango mu Burundi, ryo kuva 22 gushika 25 Ruheshi 2023*

# Ingene urugo rwifashe mu bihe vya none

2.6 ***Ingaruka z'indyane zabaye zisubiriza mu gihugu***

Ingo nyinshi zarabuze abantu, hariho izangajwe, hariho izasahuwe, hariho izihoranye n'ibindi bibi vyinshi. Ayo mabi yarakomerekeje cane imitima n'ubuzima bw'abantu bica bizana imbuto y'ukwikekana n'ukwankana mu bantu batari bake, gushika naho habaho ingo zimwe zibiba iyo mbuto mbi y'amacakubiri mu bana.

***2.7 Ivyiyumviro n'imico bituruka mu tundi turere tw'isi.***

Amarembo y'igihugu yarugurutse, hari abanyamahanga bagerereye mu Burundi, hari n'abarundi bagiye baramara igihe mu mahanga.

Mu ngo naho haragwiriye amaradiyo, amateleviziyo, amatelefone amenyesha amakuru y'isi yose. Hariho n'amashirahamwe aza gukorera mu gihugu n'ibindi.

Ivyo vyose birazana impinduka zitari nke mu migenzo yo mu ngo, haba mu migenderanire y'abubakanye, haba mw'itunganywa ry'amatungo y'urugo, haba mu ndero ihabwa abana n'ibindi.

Urugo rero ntirwagumye ari rwa rundi, kandi noneho ntibishoboka ko ruguma uko rwamye kuko ruri mu gihugu na co nyene kironka ibituma gishobora guhindura ingendo.

Mu rugo hari ivyahindutse mu neza nk'ukwishimanira kw'abashaka kwubakana, uguharika kwagabanutse, agateka k'umukenyezin'ak'umwana vyateye intambwe…, hari n'ivyahindutse mu nabi nk'ugutegerezwa kwibako kw'ingo zimwe zimwe.

Hariho ibigize urugo vyagumyeho nk'inkwano (ah'ubwo yoyo n'ukugora isigaye igoye kuruta), hari ivyagabanutse nk'ukugenderanira, uguhana utuntu dutoduto nk'akunyu, hari rero na bishasha bitahoraho.

Ivyo na vyo ni mugenzanje aca abidushikiriza mu kuvuga aho urugo rugeze mur'ibi bihe vya none.

*Ihwaniro rya mbere ry'ingo n'imiryango mu Burundi, ryo kuva 22 gushika 25 Ruheshi 2023*

# CVR - Burundi: Ukutihanganiranira muri Politike y'Uburundi vyatanguranye n'amatora yo mu myaka y'1960 *(ibikurikira)*

Mu 1965, harabaye amatora y'abashingamateka n'abakenguzamateka. Abashizwe imbere benshi bari abo mu bwoko bw'abahutu kandi bari imboneza mu mugambwe UPRONA watsinze amatora kuva mu 1960 n'1965 nyene.

Ayo matora yo ku wa 10 Rusama 1965 yateguwe gihutihuti inyuma y'igandagurwa ry'umushikiranganji wa mbere Pierre Ngendandumwe ku wa 15 Nzero 1965. Kugira ngo amatora ashoboke, habanje gufatwa ingingo zihuta zikurikira:

1. Gusambura inama nshingamateka na nkenguzamateka kw'itegeko ry'umwami n°001/644 ryo ku wa 28 Ntwarante 1965.

2. Ku wa 29 Ntwarante 1965 hatangajwe itegeko rishasha rigenga amatora mw'itegeko ry'Umwami N°001/685.

Muri iryo tegeko rigenga amatora yo mu 1965 harimwo ibintu bitatu bidasanzwe. Ubwa mbere, igitigira c'abashingamateka n'abakenguzamateka caragabanutse gushika ku bice 50% atategeko na rimwe ryatowe mu nama nshingamateka rigabanura igitigiri c'abashingamateka n'abakenguzamateka.

Ubwa kabiri, abakozi bakurubakuru bo mu biro vy'umwami n'abantu bose bakorera ku kirimba barakuwe ku rutonde rw'abitoza muri ayo matora.

Ica gatatu cari muri iryo tegeko rishasha rigenga amatora kwari ukongerako abakenguzamateka bane (cooptation) hamwe n'abandi bane nyene bategerezwa kugenwa n'Umwami Mwambutsa Bangiricenge.

Ivyo vyatumye inama nshingamateka hamwe n'umwami bashobora gukora ivyo bishakiye no gushiramwo abo bishakiye bo nyene, mu gihe amatora ari akaryo ko guha ijambo abenegihugu ngo bitorere bo nyene ababaserukira.

***Ivyavuye mu matora bivuga iki?***

Amatora y'itariki 10 Rusama 1965 yatsinzwe n'umugambwe UPRONA ku ntebe 21 z'abashingamateka kuri 33 zariko zirahiganirwa n'intebe 12 z'abakenguzamateka kuri 16 zariko zirahiganirwa. Umugambwe w'abanyagihugu PP watahanye intebe 10 muri ayo matora.

Dufatiye kuvy'ubwoko, abahutu baronse intebe 23 mu nama nshingamateka. Muri izo, 13 bazironse mu mugambwe UPRONA hamwe na 10 zo mu mugambwe PP. Mu nama nkenguzamateka, abahutu bari 10 muri 16 bashashe muri nkenguzamateka.

Abahinga muvy'amatora baremeza ko amatora yo mu 1965 yabaye mu bwigenge kandi kumugaragaro. Manirakiza Marc yahoze ari umushikiranganji, mu bitabu vyiwe, avuga ko ivyavuye muri ayo matora ari intsinzi



y'abanyagihugu kandi ko yabaye amatora y'akarorero.

Nk'uko mu murwi CVR babandanya babivuga, ngo mu matohoza bakoze, abahutu bose batowe muri Rusama 1965 barishwe, bamwe mu 1965 nyene, abandi babamarira mu 1972 kiretse uwitwa Biyorere Ezechias yatowe mu Rumonge. Uwo yarashoboye kuyanyaga arahungira muri Tanzaniya.

**Abanyepolitike b'ico gihe bakiriye gute ibivuye mu matora?**

Itorwa ry'abashingamateka n'abakenguzamateka bo mu bwoko bw'abahutu ntiryari ryitezwe kuri urwo rugezo. Nico gituma abari mu bwoko bw'abatutsi bavuze amajambo menshi.

Umwami ubwiwe, yaranse gusohora itangazo ryemeza amatora. Ivyo navyo ntivyabuze ico vyonona muri Politike. Uwitwa Boniface Kiraranganya (aherutse kwitaba Imana mu gihugu ca Kanada) yatangaye muri aya majambo:

*«Ku ntebe 33 z'abashingamateka, 23 zifiswe n'abahutu. Abatutsi ni 10 gusa. Iryo ni ibara. Abarundi barahejej kwiha inkumbi kandi ntibazoteba kuvyishura. Mu nama nkenguzamateka naho nyene abahutu nibo benshi... abahutu barafashe igihugu atankoho ivuze.»*

Mwomenya ko mu nama nshingamateka, umukuru wayo yari Emile Bucumi, icegera ciwe ca mbere akaba Paulo Mirerekano, icegera ca kabiri nawe akaba Patrice Mayonde. Abo bose bari mu bwoko bw'abahutu.

***Amatora yo ku wa 10 Rusama 1965 yabaye Umwami atari mu gihugu.***

***Biracaza***

***Mélance Ndayikeze***

# Kuva 2025, Intara ya Butanyerera izoba igizwe n'amakomine 8

Intara ya **Butanyerera** ifise umugwa mukuru Ngozi, igizwe n'amakomine 8 n'amazone 102. Ayo makomine ni Busoni, Kayanza, Kiremba, Kirundo, Matongo, Muhanga, Ngozi, Tangara.

1. Komine **Busoni**, umugwa mukuru wa komine ni Busoni, igizwe n'amazone 15. Nayo ni :

- Zone Baziro, igizwe n'imitumba 6: Baziro, Bucana, Gihinga, Kivumu, Marembo, Mirwa.

- Zone Bugorora igizwe n'imitumba 5: Bugorora, Buvyeyi, Kaduduri, Kibonobono, Mutarishwa.

- Zone Buhoro igizwe n'imitumba 5: Buhoro, Bunywera, Karambo, Minyago, Rusara.

- Zone Busoni igizwe n'imitumba 7: Burara, Gatare, Gatete, Kigoma, Kivo, Munazi, Nyakizu.

- Zone Bwambarangwe igizwe n'imitumba 5: Budahunga, Butegana, Kabirizi, Kabuyenge, Mukenke.

- Zone Cumba igizwe n'imitumba 4: Bugwana, Cumba, Nkomero, Tonga.

- Zone Gisenyi igizwe n'imitumba 9: Gasenyi, Higiro, Kibonde, Marembo, Muhuzu, Murambi, Nyabisindu, Rugarama, Rwibikara.

- Zone Gitobe igizwe n'imitumba 5: Butahana, Butihinda, Gahosha, Gasuga, Rungazi.

- Zone Kabanga igizwe n'imitumba 6: Buhimba, Buringa, Kabanga, Karambo, Kididiri, Rurende.

- Zone Kimeza igizwe n'imitumba 5: Gasave, Kibazi, Kimeza, Mugongo, Ruyenzi.




- Zone Mukerwa igizwe n'imitumba 7: Kagege, Kiravumba, Mugobe, Mukerwa, Munyinya, Renga, Runyinya.

- Zone Murore igizwe n'imitumba 6: Gatemere, Murore, Nyabugeni, Rutabo, Ruyaga, Rurira.

- Zone Nyagisozi igizwe n'imitumba 8: Gitete, Kunama, Muvyuko, Muyange, Nyagisozi, Nyange, Ruheha, Sigu.

- Zone Nyenzi igizwe n'imitumba 4: Mubuga, Ngoma, Nyenzi, Ruhongore.

- Zone Shore igizwe n'imitumba 4: Bigombo, Coga, Santunda, Shore.

Yose hamwe ni imitumba 86 igize amazone 15 ya Komine Busoni y'intara ya Butangerera.

2. Komine **Kayanza,** umugwa mukuru wa komine ni Kayanza, igizwe n'amazone 12. Nayo ni :

- Zone Jene igizwe n'imitumba 11: Jene, Kibuba, Kigeri, Mugoyi, Mutana, Ngoma, Ruhinga, Rusambi, Ryamukona, Songore, Yandaro.

- Zone Kabarore igizwe n'imitumba 9: Caguka, Gikingo, Kidunduri, Kirehe, Kivuvu, Mugera, Mugongo, Munege, Nyamisagara.

- Zone Kabuye igizwe n'imitummba 11: Benga, Kinyamukizi, Kinzobe, Maruri, Minege, Mpanga, Ntarambo, Nyabikaranka, Nyangwe, Ryirengeye, Shikankoni.

- Zone Kayanza igizwe n'imitumba 9 n'amakrtiye 2: Bubezi, Cukiro, Gahahe, Karinzi, Kinga, Mihigo, Murago, Mwendo, Nyabihanga, Karitiye Kirema, Kartiye Musave.

- Zone Mparamirundi igizwe n'imitumba 13: Bigera, Cendajuru, Gahini, Gitemezi, Kinyami, Magana, Makombe, Mihama, Mparamirundi, Munyange, Mutsinda, Nyamisebo, Tubiri.

- Zone Murima igizwe n'imitumba 10: canzara, Gacu, Gihororo, Kavumu, Kibingo, Magamba, Murima, Nkuba, Ruvumo, Rwintare.

- Zone Muruta igizwe n'imitumba 10: Busambo, Buziraguhindwa, Karunyinya, Kavoga, Manini, Muruta, Myugaro, Nyamiyogoro, Remera, Yanza.

- Zone Nkonge igizwe n'imitumba 7: Campaza, Gishubi, Mikuba, Mutana, Nkonge, Nyakibari, Ruvumu.

- Zone Nyabihogo igizwe n'imitumba 5: Gitwa, Muhweza, Nemba, Nyabihogo, Ruhande.

- Zone Rugazi igizwe n'imitumba 8: Buvumo, Buyumpu, Dusasa, Gashiru, Gisagara, Kibati, Tondero, Yanza.

- Zone Rukere igizwe n'imitumba 9: Caratsi, Karama, Manga, Randa, Rorero, Ruhororo, Rukere, Runyinya, Rutega.

- Zone Rwegura igizwe n'imitumba 7: Kaserege, Kibakwe, Kibaya, Mpfunda, Muganza, Rwagongwe, Rwegura.

Yose hamwe ni imitumba 109 n'amakartiye 2 bigize amazone 12 ya Komine Kayanza.

***Biracaza***

*Ingingo N°1/05, yo ku wa 16 Ntwarante 2023, ishinga intara, amakomine, amazone n'imitumba canke amakartiye mashasha agiye kugira igihugu c'Uburundi, kuva mu mwaka w'2025.*

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Uburenganzira bw'abantu bafunzwe n'ivyo basaba

Kwishira no kwizana canke kwidegemvya ni uburenganzira bw'umuntu wese. Mugabo rero birashika kandi birategekanijwe n'amategeko ko umuntu yakoze icaha abuzwa umwidegemvyo, igihe gito canke kirekire bivanye n'umwanya igihano co gupfungwa kizomara.

Umuntu apfunzwe arabuzwa uburenganzira bwo kwishira n'ukwizana hamwe n'ubwo gutora n'ukwitoza, ariko ubundi burenganzira nko kubaho, kudasinzikarizwa ubuzima, gufatwa runtu, kuvurwa agwaye, n'ubundi, arabugumana.

Ikindi ni uko umuntu apfunzwe adafise uburenganzira gusa ariko arafise n'ivyo asabwa.

**1. Amategeko agenga abantu bose bapfunzwe**

Abantu bapfunzwe barafise uburenganzira bahurirako bose. Umupfungwa arafise uburenganzira bwo gufatwa runtu.

Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 10 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye politike ivuga mu gace kayo ka mbere, ko umuntu wese apfunzwe afise ubure-nganzira bwo gufatwa runtu kandi agahabwa agateka karanga zina muntu wese.

Umuntu wese yiketswe ko icaha arashobora gupfungwa mu gihe c'amatohoza kandi naho nyene aguma afise ivyo arekurirwa n'amategeko. Aha twovuga nko kurondera umushingwamanza amufasha kuburana kandi akaronswa n'akaryo k'ukwiregura kuri ivyo vyose yagirizwa.

Ingingo y'7 y'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu ivuga ko uwo wese apfunzwe urubanza rutaracika arekuriwe kwiregura no kurondera umushingwamanza amuburanira kandi agacirwa urubanza mu gihe giciriye hagufi.

Ingingo ya 3 y'ibwirizwa n°1/24 ryo kuwa 14 kigarama 2017 rigenga amabohero mu Burundi ivuga ko abantu bose bapfunzwe bategerezwa gukingirwa ico cose cobasinzikariza ubuzima bari mw'ibohero canke cobatesha agaciro runtu mw'ibohero.

Ingingo ya 43 na yo mu gace kambere ivuga ko umuntu wese apfunzwe arekuriwe kwitura uwurongoye ibohero, uwukora mu gisata c'ubutungane canke uwundi wese abifitiye ububasha kugira amumenyeshe uko amerewe mw'ibohero.

**2. Amategeko yerekeye imigwi y'abapfungwa ikeneye gukingirwa gusumba iyindi**

Abantu bapfunzwe bari mu migwi itandukanye. Ingingo ya 45 y'ibwirizwa n°1/24 ryo kuwa 14 kigarama 2017 rigenga amabohero mu Burundi ivuga ko imigwi imwe imwe y'abapfungwa itegerezwa gufatwa mu buryo yisangije.

Abo na bo ni abakenyezi, abana bakoze ivyaha canke bavyikekwa ko, abageze mu zabukuru n'abafise ubumuga bwo mu mutwe.

*a) Uburenganzira bw'abana bapfunzwe*

Umwana apfunzwe arafise uburenganzira bwo




gufatwa runtu kandi agapfungirwa mu kibanza cagenewe abana.

Ibi bitekanijwe n'ingingo ya 37 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana mu gace kayo ka 3 aho ivuga ko umwana apfunzwe yofatwa runtu kandi agateka kiwe kakubahirizwa hakurikijwe ivyo abana bangana bakeneye, agatandukanywa n'abapfungwa bakuze kiretse igihe bijanye n'ineza yiwe.

Umwana yagirizwa icaha afise uburenganzira bwo kugumana imigenderanire n'umuryango wiwe, mu kwandikiranira canke mu kuramukanya kiretse habaye impamvu zikomeye zibibuza.

Amasezerano mpuzamakungu arategekanya ko umwana yopfungwa mu gihe gito, yotandukanywa n'abapfungwa bakuze, n'Ibwirizwa Shingiro ntiryasigaye inyuma mu gushimangira ayo masezerano.

Tubisanga mu ngingo ya 46 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga uku : "Birabujijwe gupfunga umwana kiretse ata kundi vyogenda, na ho nyene agapfungwa igihe gito gishoboka.

Umwana wese apfunzwe ategerezwa gutandukanywa n'imbohe zirenza imwaka cumi n'itandatu y'amavuka kandi agafatwa mu buryo bukwiranye n'imyaka yiwe".

Umwana yikekwako canke yakoze icaha arafise uburenganzira bwo kuronswa inyigisho.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'abantu bafunzwe n'ivyo basaba

(Bitangurira ku rup.10)

Ibi tubisanga mu ngingo ya 51 y'ibwirizwa n°1/24 ryo kuwa 14 kigarama 2017 rigenga amabohero mu Burundi ivuga ko abana bakoze ivyaha canke bavyikekwako bafise uburenganzira bwo kuronswa inyigisho cane cane inyigisho zerekeye imyuga.

*b) Uburenganzira bw'abakenyezi bapfunzwe*

Ingingo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU zerekeye abantu bapfunzwe zirategakanya ko umukenyezi apfunzwe yibungenze canke aheruka kwibaruka yoroherezwa.

Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 23 mu gace ka mbere, ivuga ko, amabohero yagenewe abakenyezi, ategerezwa kuba yubatse ku buryo abakenyezi bibungenze n'abaheruka kwibaruka boroherezwa.

Ubuyobozi bw'ibohero butegerezwa gukora uko bushoboye kugira uwugeze kwibaruka ajanwe mu bitaro bitari ivy'ibohero.

Ingingo ya 24 y'amasezerano yerekeye uburenganzira bw'abakenyezi yunganira amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu ivuga, mu gace kayo ka 2, ko abagore bibungenze canke bonsa bapfunzwe, bategerezwa gukingirwa no kuronswa uburyo bujanye n'ibihe baba barimwo kandi bakubahirizwa mu gateka kabo.

Ibwirizwa n°1/24 ryo kuwa 14 kigarama 2017 rigenga amabohero mu Burundi rirategekanya ko abakenyezi bapfunzwe bafise uburenganzira bwo gufatwa runtu nabo nyene bafise uburenganzira bwo kwitabwaho no gukingirwa mu vyerekeye amagara yabo no mu buntu bwabo.

Ingingo ya 52 y'ibwirizwa n°1/24 ryo kuwa 14 kigarama 2017 rigenga amabohero mu Burundi ivuga ko abantu bose ba-pfunzwe bategerezwa kubahiriza amategeko a-janye n'itunganywa ry'a-mabohero mu Burundi kugira



bari mw'ibohero kandi bakoroherezwa uko babayeho mu gihe bonsa canke bibungenze.

Ingingo ya 46 ivuga ko abakenyezi bapfunzwe bategerezwa gukingirwa gukoreshwa ibikorwa birengeye inguvu zabo canke ibibatesha ubuntu.

Ingingo ya 47 na yo ivuga ko abakenyezi bibungenze n'abonsa bari mw'ibohero bategerezwa koroherezwa hisunzwe uwo mugwi barimwo. Bategerezwa kumenyeshwa uburenganzira bw'abo n'ubw'abana babo hamwe n'ivyo bategerezwa gukora nk'abavyeyi.

*c) Uburenganzira bw'abageze mu zabukuru*

Ingingo ya 18 yo mu masezerano ya Afrika y'agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu ivuga, mu gace kayo ka 4, ko abageze mu zabukuru n'abagendana ubumuga

zwa n°1/24 ryo kuwa 14 kigarama 2017 rigenga amabohero mu Burundi ivuga ko abapfunzwe bageze mu zabukuru bafise imyaka 70 bakwije ibisabwa n'amategeko mpanavyaha, barekurwa ivy'agateganyo naho uwahanywe aba atararangiza umunyororo yaciriwe.

### 3. Ibisabwa ku muntu wese apfunzwe

Abantu bapfunzwe ntibafise uburenganzira gusa, barafise n'amabwirizwa bategerezwa gukurikiza.

Abapfungwa bategerezwa kwubahiriza amategeko yerekeye ingene amabohero atunganijwe. Ibihano canke gukurikiranwa mu butungane biritegekanijwe iyo uwupfunzwe atakurikije amategeko.

Ingingo ya 44 y'ibwirizwa n°1/24 ryo kuwa 14 kigarama 2017 rigenga amabohero ngo ntibahabwe ibihano canke ngo bakurikiranwe n'ubutungane. Iyo bakurikiranywe n'ubutungane, bahanwa babanje kumenyeshwa ibirego kandi babanje gushikiriza ivyireguro vyabo.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umuntu wese apfunzwe afise uburenganzira bwo gufatwa runtu kandi agahabwa agateka karanga zina muntu wese. Abantu bapfunzwe barafise u-burenganzira co kimwe n'abandi bantu ariko hari n'ubwo bisangije bivanye n'umugwi w'abapfungwa barimwo.

Ariko rero, naho abapfungwa bafise uburenganzira, iyo bapfunzwe baratakaza uburenganzira bwo kwidegemvya hamwe n'ubwo gutora n'ukwitoza.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Imyaka 125 ya yubile ya Paroisse mfura muri Ekleziya y'i Burundi

***" Kuko ingoro yanje izokwitwa Ingoro ibihugu vyose bizosengeramwo"*** Izaya 56,7

Ku wa 26 Myandagaro 2023, niho paruwase Muyaga ari nayo paruwase mfura yaboneye izuba ayandi maparuwase yose y'i Burundi, yahimbaza yubile y'imyaka 125 irangiye, iyo paruwase imenyesheje Inkuru Nziza muri Ekleziya y'i Burundi.

***Intango ya vyose***

Mu 1878, niho abamisiyonari b'aba patiri bera baronka uruhusha rwo kuza kumenyesha Inkuru Nziza muri Afrika. Bamaze kuza binjiriye mu Rumonge muri uwo mwaka nyene, ariko ntivyakunze kuko bamwe muri bo barahasize ubuzima. Babonye vyanse Baciye bagerageza kwinjirira muri Buzirye n'i Bujumbura, nahonyene birabananira.

Munyuma niho binjirira i Misugi mu ntara ya Cendajuru iri mu buseruko bw'Uburundi ku rubibe rwa Tanzaniya. Ako karere ntabantu bakabamwo hari amashamba gusa.

Ku wa 18 Ntwarante 1897, niho abo bamisiyonari baca bahashinga umusalaba wa mbere, ikimenyetso c'uko Inkuru Nziza ishitse mu Burundi. Bukeye bwaho ku wa 19 Ntwarante, niho Ekleziya yahimbaza Yozefu Mweranda umuvunyi w'ingo. Ninaho patiri Frasoir Jerubwe ari nawe yagenda imbere abo bamisiyonari yaca ahezagira uwo musalaba.

I Misugi rero, muri kahise k'Ekleziya, hafatwa nk'Ibetrehemu y'i Burundi kuko ariho hahimbarijwe Noeli yambere.

Kubera ko ako karere ka Misugi atabantu bakabamwo, bahejeje kuhashinga umusalaba, baciye berekeza i Muyaga, baca bahashinga paruwase ya mbere mu Burundi.

Munyuma patiri Frasoir Jerbwe yahavuye yatirwa mw'ibanga ry'Ubwepiskopi. Patiri Antoni Venderu yava mu gihugu c'ubu Holande, yari patiri mukuru wa-mbere wa paruwase Muyaga ico gihe, niwe yaciye aja imbere abandi ba misiyonari baja kumenyesha Inkuru Nziza igihugu c'Imana.

Aho i Muyaga, hakaba hafatwa nka Yeruzalemu y'i Burundi, kuko umuriro wa Pasika ya mbere wacaniwe ahari icicaro ca paruwase yambere mu Burundi.

Bimwe mu vyagoye Abamisiyonali bambere bahanze umushike mukuza kumenyesha Inkuru Nziza aha mu Burundi, n'uko bashobora kugenda amezi atatu canke atandatu, ivyo bigatuma bamwe muri bo bapfira mu nzira batarashika, mukwigisha bakagorwa n'ururimi,….



Ku wa 14 Myandagaro 1898 buca bahimbaza umusi mukuru w'iyurizwa mw'ijuru rya Bikira Mariya, hamwe no ku wa 3 Myandagaro 1899, ubu-raro bw'abo ba misiyonari bwaraturiwe n'ababisha mu ntumbero yo kuburabuza ico gikorwa co kwitangira ubwoko bw'Imana. Ivyo vyose bikaba vyabaye mu gihe paruwase Muyaga yari yavutse ku wa 23 Rusama 1898.

Muri iyo paruwase ya Muyaga, niho hatanguriye ishule ritoya rya mbere rya Muyaga ya mbere *(école primaire Muyaga I)* hamwe n'amazi yambere ya rusengo vyatangujwe n'abo bamisiyonari.

Patiri Liport ari nawe yabaye patiri mukuru wa paruwase Muyaga imyaka myishi igera kuri 40, niwe yatanguje amashule y'itabariro hamwe n'ubutumwa bw'abamenyeshamana.

Niwe dukesha kandi abasaserdoti n'abandi bihebeyimana bambere. Aho twobabwira nka Mama Mariya Roza MUYOBERWA umubikira wambere w'umurundikazi avuka i Muyaga.

Ico gihe kubera atangendeshwa zari bwabeho, yavuye ngaha i Burundi n'amaguru gushika mu Rwanda kuko indagano ariho zatangirwa, aca agabana iryo banga ku wa 8 Kigarama 1922.

Patiri Liport kandi niwe dukesha patiri Emile NGENDAGENDE na patiri Patrice NTIDENDEREZA batiriwe i Mugera ku wa 19 Kigarama1925 bakaba babaye abapatiri bambere b'abarundi.

Patiri Liport abanyamuyaga niwe bakesha umuhari w'ingendanyi, ikaba ariyo mvo yatumye ihimbazwa rya yubile y'imyaka 100 y'uwo muhari ku rwego rw'igihugu ribera muri paruwese Muyaga.

Uwo musi mukuru udasanzwe ukaba wahimbajwe kuvyivugo : ***" Uyu n'uriya niho bavukiye"***
Izaburi 87,5

**Chanel HARINGANJI**